LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


Uwo uri wese ubahirizwa

# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

***N°533 Co kuva kuwa 29 Ruheshi gushika kuwa 05 Mukakaro 2026***

Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero 530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 14 Ruheshi 2026, abantu bashika 875babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 788 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0INTANGAMARARA.........................................................................................................5*

*I.UMWIHWEZO...............................................................................................................5*


*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE.................................................7*

*III.UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA..................................12*

*IV.UBURENGANZIRA BW'IMIGWI ...........................................................................13*

*V.UGUSOZERA N'IBISABWA.......................................................................................13*

***INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023***



**CNDD-FDD :** *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi*

**ECOFO :** Ishure shingiro

**OPJ :** Inyamiramabi

**PDC:** Umugambwe rukirisu uharanira intwaro rusangi

**SNR:** Igendereza ry'igihugu

**VBG:** Amabi afatiye ku gitsina

## *URUTONDE RW'IBIRIMWO*

*0.INTANGAMARARA.......................................................................................................5*

*I. UMWIHWEZO.......................................................................................................5*

*I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE ......................................................................................5*

*I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO.....................................................................................6*

*I.3. UMWIHWEZOW'INTWARO ........................................................................................6*

_*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE* ...............................................7

*II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA*_.......................................................................................7

*II.1.1. UBWICANYI* BUTEGUWE.......................................................................................7

II.1.1.1.ABANTU BISHWE N'IMBONERAKURE.......................................................................7

*II.1.1.2.ABANTU BISHWE N'ABANTU BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE* ..............................................................................................................8

*II.1.1.3 ABANTU BISHWE KUBERA UKWIH*ANIRA ......................................................................9

*II.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO ..................................................9.*

*II.2.UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUTIMA NO KU MUBIRI............9*

*II.2.1.AMABI AFATIYE KU GITSINA* ....................................................................................9

*II.2.1.1.AMABI YO MU MAZU....* ..........................................................................................9

II.2.1.2.UGUFATA KU NGUVU..................................................................................................10

*II.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO .......................................................11*

*II.3.1 UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO.........................................11*

III. *UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA* ...........................................12

III.*2. UBURENGANZIRA KU NDERO* ..............................................................................12

*IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI ...............................................................13*

*IV.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA ..............................................................13*

*V. UGUSOZERA N'IBISABWA* ....................................................................................13

## 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 29 Ruheshi-05 Mukakaro 2026.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka kirihweza kandi nk' ivya politike,umutekano n'intwaro.Kiranasuzuma kandi ibintu biserura amabi abuza uburenganzira bw'abantu no muri politike, hamwe n' uburenganzira ku butunzi,imibano, n'imico kama muri iyindwi hamwe n'uburenganzira bw'imigwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryabonetse kandi ryatohojwe n'umuhari Iteka ameze ugukwirikira muri kino kiringo:n'imiburuburi abantu 7 bishwe harimwo 4 batowe ibiziga na 2 bishwe mu mabi yo munzu,umwe yanyurujwe,4 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo 2 bafashwe ku nguvu b'abana b'abakobwa hamwe n'abantu 100 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Ahanini abagirizwa ubwo bubisha ni imbonerakure z'umugamwe uri ku butegetsi CNDD-FDD,abakora iperereza, abapolisi hamwe n'abo mu ntwaro.

## I. UMWIHWEZO

### I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE

**Ibirori vyo kwigina isabukuru igira 64 y'ukwikukira kw'igihugu cacu,mu ntara ya Buhumuza**

Wari umusi w'intibagirwa ku Burundi,mu gihe komine ya Ruyigi yariko yitegurira kwigina isabukuru ya 64 y'ukwikukira kwayo.Ibirori vyatanguwe n'inkuka ya misa yo gukenguruka, yaranzwe n'umunezero ku misiyoni yaho.Musenyeri Blaise Nzeyimana,umwungere wa diyoseze ya Ruyigi,yari yahagurutse kugira atange insiguro nkoramutima,yibutsa urukundo ntibagirwa rw'igihugu umuganwa Ludoviko RWAGASORE yerekanye.Urwo Rukundo,uko yavuga kari akarorero ku barundi bose,kandi yahamagarira abemera bari bahari gufatira akarorero mu buzima bw'iyo ncungu y' igihugu.Yarashimangiye ku kamaro ko kwubaha amajambo y'Imana adutegeka gukunda mugenzi wacu,kandi yarashikirije ko ukwikukira kw'igihugu cacu kutashobora kurama atakwikukira kurama k''ubutunzi.Umwungere,n'ijwe ryakataraboneka, yaranibukije abarongozi b'igihugu gukwirikira akarorero k'umuganwa,mu gutwaza ukuri n' ukunganisha,hamwe n'ugusabikanya ubutunzi bw'igihugu atagukumira,abibutsa ko uBurundi ari ubwo abarundi bose.

Inyuma y'iyo nkuka y'imisa,ibirori vyabandanirije ku kibuga c'inkino URUMURI co mu Ruyigi,aho urugendo rw'umunezero rwabereye,rugakurikirwa n'amajambo abereye.Vyari vyatewe iteka n' umupfasoni Dénise Ndaruhekeye, buramatari w'intara yaBuhumuza, hamwe n'abayobozi bo mu ntara n'abarongoye ubuzi.Ijambo nyamukuru, ryasomwe na buramatari,ryaragarutse ku bintu bibabaje vyo muri kahise yibutsa uruhara rw' ishengero gatorika ribicishije ku mugambwe PDC,wowo mu gihe c'ukwikukira,wagomba ko bobangira.
Umukuru w'igihugu ntiyaretse kuvuga imigambwe imwe imwe hamwe n'amashirahamwe yigenga,yerekana ko basa n'abaguma bakorera inyungu z'abakoloni.Ico ciyumviro carerekanye ivyiyumviro bitandukanye mw'ihwaniro,nko gutangara mbere kubona ,inyuma y'ibinjana 6 vy'intahe yo kwikukira,umugambwe uri ku butegetsi ubandanya gutuma urutoke anatwaye kera,aho guhangana n'ingorane zigumaho nk' ibiturire,umutekano muk hamwe no kubura ibintu vya nkenerwa.Benshi babona muri iyo nyifato nk'umwigovyoro.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

### Abantu barenga 300 bahawe uburozi, muri komine Gisuru, intara ya Buhumuza

Kuwa 27 Ruheshi 2026, ku mutumbaRuveri, muri komine Gisuru, intara Buhumuza, abantu barenga 300 barahawe uburozi.Iryo bara ryaguye mu gihe bari bitavye ibirori vyo gukwa kuri uwo mutumba.Uwabaroze yoba yashize uburozi mu make,akeneye kwica umuryango w'abemera b'abaporoti,ivyatumye bufata abari muri ivyo birori vy'ubukwe bose.Abo bwafashe barajanywe mu bigo vy' ubuvuzi bitandukanye vyo mu karere,nko ku bitaro bikuru vyo mu Kinyinya,ibitaro bikuru vyo mu gisuru,ibitaro vy'akarere vyo mu Ruyigi hamwe na Rema vyo mu Ruyigi.Muri abo 312 bwafashe,umuntu umwe wenyene yaritavye imana,mugihe abandi 311 bashoboye kurokoka. Kubwo umukuru w' umutumba Ruveri, abantu 5 gusa nibo bakiri mu bitaro muri ivyo bigo vy'ubuvuzi twavuze aho hejuru,abandi bakaba baramaze gusubira mu miryango .

### Ugusaka ibitoro muri komine Karusi, intara ya Gitega

Kuwa 3 Ruheshi 2026, hafi igihe c'isaha 12, muri karatiye Gatare, ku mutumba na zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega, inyuma y'indwi zibiri bahinduye abaporisi, umukomiseri mushasha wo kw'i zone izina ryiwe ritaramenyekana yarakoresheje isaka .Iryo saka ryatumbera abantu badandaza ibitoro mu kinyegero kandi barafashe iritiro 40 kwa Bigirimana batazira SAKE ariko ntiyahagaritswe kiretse ko wenyene yatwaye ivyo bi bido bibiri gushika mu giporisi.

## *I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

### Gufuta ibibazo no kubisubiramwo muri komine Mwaro, intara ya Gitega

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 5 Ruheshi 2026 ivuga ko kw'ishure shingiro Raro, riri muri zone Makamba ya komine Mwaro, mu ntara ya Gitega. Vianney Ndikuriyo, umwigisha aserukira abandi kuri iryo shure,akaba n'icegera c'umuyobozi, yaravuzwe mu bintu biteye isoni.Uwo yoba yarahaye ibibazo bimwe bimwe vyo mu gice ca gatatu c'umwaka w' ishure yitwa N.G.,afise imyaka 15 yiga mu mwaka w' 8, babanje kuryamana mw'ihoteri iri muri zone Nyakararo, muri iyo komine nyene.

Kubwo amasoko yaho,birakenewe ko tumenya ko uwo aserukira abigisha asanzwe ari n'umukuru w'imbonerakure muri zone ya Makamba, ibiteye amakenga ku gikoresha igikenya c'inzego.Ayo masoko nyene yigana ko ibibazo babona ko vyibwe vyafuswe bikongera bigasubirwamwo munyuma abanyeshure bamwe bamwe barinda bariye umutima amenyo bagashikiriza ko umwe mubo bigana yari yahawe ibibazo mu manyanga.

## I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*(Ibikurikira urupapuro 6)*

**Ubunyonyezi bw'amahera mu buyobozi bw'indero muri komine Muyinga,intara ya Buhumuza**

Akataraboneka,ubusuma n'ubunyonyezi mw' itangwa ry'amahera bitiriye uburaro ku bana bazoja gukora ikibazo ca Reta kw'ishure rikuru rya Rugari nivyo bituma ahanini abo bana bafatwa nabi.

Kubwo isoko ryaho twarose,ivyateye iyo ngorane ni umuyobozi w'indero muri komine Muyinga, yitwa Abel Nkurunziza. Uwo yoba yarananiwe burundu kwereka abayobozi b'amashure afise amashure afise umwaka urangiza amashure uko bokora.Ni gutyo bihaye uruhusha rwo gusaba kurihisha amahera umwe wese uko avyumva. Uburorero bwinshi ku buryo umunyeshure wese abwirizwa kuriha bivanye n'ishure yiwe :

1. Lycée communal Muyinga : 75.000 Fbu ku munyeshure
2. Lycée Saint André de Mukoni : 100.000 Fbu ku munyeshure
3. Lycée Mukoni : 60.000 Fbu
4. Petit Séminaire St Pie : 55.000 Fbu
5. CEA School : 65.000 Fbu

Twomenyesha ko ayo mahera ari ayo gufungura imisi 4 bazomara bariko bakora ikibazo ca Reta.

**Ukugara utuzu tw'ubudandarizo muri komine Rutana, intara Burunga**

Inyuma y'umutaga ku wa 30 Ruheshi 2026, utuzu 10 two gucururizamwo two muri karatiye Birongozi, yo mugisagara n'ikomine Rutana,intara Burunga,yarugawe vy'imfata kibanza kw'itegeko rya buramatari w'iyo ntara, Parfait Mboninyibuka kubera ata suku rihari. Iyo ndongozi ihamagarira abarongozi boaho ku rwego rwa komine guhimiriza abanyagihugu ku vyerekeye isuku.

# *II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE*

#### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N' IMBONERAKURE*

**Umuntu umwe yarishwe n' Imbonerakure muri komine Bubanza, province de Bujumbura**

I Bubanza, umugabo yitwa Nkinamugwanko,afise imyaka 60 yarishwe kuwa 4 Ruheshi 2026 hafi igihe c'isaha 3.Yari agiye mu masengesho igihe imbonerakure zamutera n'umupangaIbara ryaguye ku mutumba Gitenga,zone Muramba, komine Bubanza, intara ya Bujumbura.

Kubwo uburongozi bwaho,yoba yagirizwa amange-tengete.Ariko hari haciye igihe agiraniye ingorane n'umuryango wiwe wagutse,amatati y'itongo. Babiri bikekwa ako kabi barahunze.Nko kwihora,abaryango biwe baragerageje kwihora,mu gutema ibitoke,mu guturira amazu y'uwo muryango wundi.Ingo 3 z'uwo muryango zaravuye mu mihana kubwo umutekano wabo.Igiporisi carahagaritse abahungu 2 bo kwa Tito,bari mu gasho ka komisariya y'igiporisi i Bubanza.

## *II.1.1.2. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE*

### Ikiziga catowe muri komine Ruyigi, intara ya Buhumuza

Kuwa 30 Ruheshi 2026, mu mu gitara c' imikaratusi kiri ku mutumba Nyakayi, komine Ruyigi, intara Buhumuza,ikiziga c'umugore yitwa Riziki,afise imyaka yababa 50,impunzi y'umunyakongo yaratowe n'abana baragiye impene.Kubwo amasoko yaho,Riziki ava mw'ikambi y'impunzi z'abanyakongo y'i Nyankanda kandi yishwe n'abantu batamenyekanye.

Uwo yishwe yari avuye mw'ikambi y'impunzi z'abanyakongo ya Busuma iri muri komine ya Bweru kugira aje mw'ikambi y'impunzi z' abanyakongo y'inyankanda iri muri komine Butezi,intara ya Buhumuza.Abo bantu baramuteze umutego ariko aragenda kandi ikiziga ciwe cari gifise ibimenyetso mu muhogo vyerekana ko yoba yaranizwe.Uwo yari yiriwe mw'ikambi ya'impunzi ya Busuma aho yari yagiye gutora amahera yiwe incuti yiwe iri muri Reta zunze ubumwe za Amerika yari yamurungikiye abicishije ku witwa

Shukuru wo mw'ikambi ya Busuma.

Abantu 2 harimwo Shukuru hamwe n' uwitwa Ramazani barahagaritswe kumvo z'amatohoza.

### Ikiziga caratowe muri komine Bubanza, intara ya Bujumbura

Kuwa 1 Mukakaro 2026, ikiziga ca Joseph Nyamibara, umugabo afise imyaka 50 avuka ku mutumba Kanazi muri zone Musigati, yaratowe mu kinogo cuzuye amazi mw'isoko rya zone Kivyuka, muri komine Bubanza, intara ya Bujumbura. Ico kinogo kiri iruhande y'isoko ririko rirubakwa,haciye imyaka irenga 10 ritarahera,kandi coba ubwambere cari ic' imyanda.Buca gitorwa kuwa 30 Ruheshi 2026,uwo muhisi yari yagiye kuri iryo soko gusuma imbere yo kuburwa irengero. Bamaze kumutora,ikiziga carajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro bikuru vy'iBubanza. Abajijwe kuri ivyo,umukuru wa zone Kivyuka yagumije agacerere kandi nta na kimwe yamenyesheje.Kuri uwo musinta numwe yahagaritswe canke ngo abazwe kumvo z'amatohoza,kandi abegereye umuhisi baguma basaba ko ubutungane bwokora.

### Ikiziga c'umugore caratowe muri komine Bubanza, intara ya Bujumbura

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 29 Ruheshi 2026 ivuga ko kuwa 2 Ruheshi 2026 inyuma y'umutaga,ku mutumba Mwanda,zone Muramba, komine Bubanza, intara ya Bujumbura, ikiziga c'umugore yitwa Sylvane Ndayarinze, afise nk'imyaka 70 ,caratowe mu murima w'ibigazi.

Kubwo ababibonye,ikiziga c'umuhisi gifise ibiguma bikomeye ku mutwe vyerekana ko yakubiswe mu mutwe hakoreshejwe ubuhiri aca atemwa izosi n'umupanga.

Sylvane Ndayarinze yaheruka kwimukira ku gacimbiri Ciya,ariko yaguma aja gukora mu matongo n'imirima biri kuri uwo mutumba wa Mwanda. Ayo masoko nyene atomora ko ikiziga c'uwo mugore catowe mugihe yari yaherekejwe n'uwitwa Clovis Habimana, umwuzukuru wiwe w'imyaka19 hamwe n' Imbonerakure z'umugambwe CNDD-FDD. Yiketswe kuri ubwo bwicanyi,iyo Imbonerakure yarahagaritswe n'igiporisi hanyuma ajanwa mu gasho ka komisariya ya komine Bubanza kumvo z'amatohoza.

### *II.1.1.3. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHANIRA*

**Ikiziga cumusore catowe muri komine n'intara ya Gitega**

Kuwa 30 Ruheshi 2026,hafi igihe c'isaha 4 ikiziga ca Munyene Venant afise imyaka 21 ,umuhungu wa Ndayiragije Pasteur na Eugénie, avuka ku mutumba Ngundu, caratowe imbere y'umuhana wa Ndikumana Constantin, ku mutumba Mwanzari, zone Makebuko, komine n'intara ya Gitega.Kubwo amakuru yatororokanijwe mu masoko yacu,uwo yapfuye yari yagirizwa kwiba impene imwe ku mutumba Nyamagandika, uri muri iyo zone nyene.Isoko ryacu rivuga ko Ndayisenga Eric,yoba yararongoye akagwi k'Imbonerakure agaca amuhagarika, yahagaritswe n'igipolisi ca komine Makebuko kugira amatohoza abandanye.

Kubwo ayo makuru nyene,uwishwe yoba yarakubiswe n'imbonerakure bikomeye amaze guhagarikwa ,gushika aho ata umwenge. Amaze kubona koyababaye cane,inyamiramabi Ntakirutimana Anicet yoba yategetse ko bomujana mu bitaro vy'iMakebuko ariko biba impfagusa kuko yaruhiye gucikana.

### *II.1.2. ABANTU BANYURUJWE CANKE BABUZE IRENGERO*

**Umuntu yanyurujwe muri komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura**

Kuwa 4 Mukakaro 2026, hafi isaha 3 zo mu gitondo, kw'ibarabara rya Gasenyi, komine Ntahangwa,intara Bujumbura,Déogratias Ndayisaba, afise imyaka 37,aba muri karatiye na zone Gikungu, komine Ntahangwa, intara Bujumbura, yaranyurujwe n'abantu bambaye umwambaro w'igiporisi c'uBurundi.Kubwo ababibonye hamwe n'abamwegereye babikwirikiranye, uwo musore yari kw'ipikipiki yunguruza abantu nk'umuntu yipakije bisanzwe aho yari yaguze urutsinga rw'amatara kuri gare du Nord y'umurwa mukuru w'ubutunzi Bujumbura. Ashitse ku mpera y'ibarabara rya Gasenyi,Déogratias Ndayisaba yarafashwe n'abaporisi b'igihugu akiva kuri nya pikipiki.Abo babibonye nyene basigura ko abo baporisi bururutse imodoka yo mu bwoko camionnette Toyota double cabine ifise ibara ryera n'ibiyo bitabona,nomero y'imparati yayo itashoboye kumenyekana,yaciye isubira kugenda ku muvuduko udasanzwe ija ahantu hataramenyekana.

### *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA*

### *II. 2.1. AMABI AFATIYE KU GITSINA*

### *II.2.1.1. AMABI YO MU MAZU*

**Umugore yishwe n'umugabo wiwe muri komine Gisuru, intara ya Buhumuza**

Kuwa 30 Ruheshi 2026, hafi isaha 1 y'ijoro,ku mutumba Gacokwe, komine Gisuru, umugabo yitwa Sirabahenda ,afise imyaka 38,yarishe umugo wiwe yitwa Léocadie, afise imyaka 34,amutemye umupanga 2:amutema mu ruhanga hanyuma mwizosi.Kubwo amasoko yaho,bosi ni abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD, bafise abana 3,amatati yo mu muryango yoba ariyo yatumye amwica. Umugabo yagiriza umugore wiwe kuba yibungenze imbanyi atari rwiwe.Inyuma y'ubwo bubisha,uwo yabukoze yarijanye ku kirindiro c'abaporisi mu gisuru aho ubu apfungiwe.

## *II.2. UBURENGANZIRA BW'UKUDAHOHOTERWA(Ibikurikira urupapuro 9)*

**Umugore yishwe m'umugabo wiwe muri komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 2 Mukakaro 2026 ivuga ko kuwa 27 Ruheshi 2026,harishwe umugore muri karatiye Gitega,iri muri zone Kinama yo muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura. Mwijoro,umugabo azwi kw'izina rya Ibrahim Boas yaranize umugore wiwe, Evelyne, asinziriye.Icatumye amwica ni indyane zo munzu bamamwo zijanye n' itunganywa ry'amatungo y'uwanizwe. Umudandaza w'impuzu mw'isoko ryo mu Ruvumera, Evelyne yari afise ibibanza vyinshi vyo kubaka yarazwe n'abavyeyi biwe,amaronko umugabo wiwe yaguma arondera kwigarurira ubuzima bwose babanye.Amaze gutegura kwahukana,umugabo wiwe yaciye yiyumvira ko ashobora gutakaza uburenganzira kuri ayo matungo, gutyo ategura ubwicanyi kugirango amutorane.Amaze gushira umugambi wiwe mu ngiro,uwikekwa ko ako kabi we nyene yaciye aja ku giporisi co kuri zone Kinama bukeye bwaho,kuwa 28 Ruheshi 2026.

**Umugabo yakomerekejwe n'umugore wiwe ku mutumba kinyamukizi zone kabuye komine kayanza mu ntara ya Butanyerera**

Kuwa 29 Ruheshi 2026, umugabo afise imyaka 52 avuka ku gacimbiri Mbaba, umutumba kinyamukizi zone kabuye komine kayanza mu ntara ya Butanyerera yarazibuwe igisuti n' umugore wiwe Ndereyimana Marie afise imyaka 40.Amasoko yahoavuga ko abo bubakanye bama mu ndyane zo munzu kubera akaborerwe hamwe n'ugusesagura itunga ry'umuryango ku mpande zose. Ayo masoko nyene avuga ko umugore yanahatswe no kumwica umugabo akoresheje imbugita ariko ko ababanyi baciye bahashik kare imbere y'uko ibara rirwa.Uwo yacumiswe yaratebukanywe ku kigo c'ubuvuzi Kabuye kugira avurwe kandi uwikekwa ko icaha yarafashwe aca ajanwa mu gasho ka komisariya ya porisi

## *II.2.1.2. UGUFATWA KU NGUVU*

**Ukugerageza gufata ku nguvu umugore muri komine Rutana,intara ya Burunga**

Kuwa 28 Ruheshi 2026, hafi igihe c'isaha 4 z'ijoro, ku mutumba na zone Gihofi, komine Rutana, intara ya Burunga,ku bitaro bikuruGihofi, umugore yitwa N.E. yarahatswe gufatwa ku nguvu na Japhet Bangurambona, umuforoma w' umukorera bushake kuri ivyo bitaro.Kubwo amasoko yaho,N.E. yazanye umwana wiwe ku bitaro vya Gihofi ku muvuza uwo mwana baca bamwinjiza ibitaro hama nyina wiwe acika umurwaza mugihe Japhet yari araye izamu muri ivyo bitaro . Gutyo hafi igihe c'isaha 4 z'ijoro, Japhet yarahamagaye N.E. aho akorera mu kumubarira ko yashaka kumuhindurira umuti w' umurwayi aca arugara umuryango aca atangura kugerageza kumufata ku nguvu,umuvyeyi yaraboroze cane abandi barwaza baca baramutabara.Abarwaza barahamagaye igiporisi gica gitwara Japhet mu gasho ka zone Gihofi,kuri uwo musi nyene wo kuwa 28 Ruheshi2026.

Kubwo ayo masoko,ku mugoroba wo kuwa 2 Ruheshi 2026,sentare nkuru ya Rutana yarahanye Bangurambona Japhet, mu ntahe y'icese,imuhanisha gupfungwa ikiringo c' imyaka 4 ku caha co kugerageza gufata ku nguvu.Azotegerezwa no gutanga amahera 500 000 FBU y'indishi y'akababaro kuri uwo yabikoreye.Hamwe atoriha,azopfungwa umunyororo w'agateganyo w'imyaka 2 n'amezi 6.Kuva kuwa 2 Ruheshi 2026,apfungiwe mw'ibohero rikuru rya Rutana.

**Umwana w'umukobwa yafashwe ku nguvu muri komine Karusi, intara ya Gitega**

Kuwa 04 Rusama 2026, hafi igihe c'isaha1 y'ijoro, ku mutumba Rwingoma, zone Buhiga, komine Karusi, intara ya Gitega, umusore yitwa Nestor Igirukwishaka, afise imyaka13, yarafashe ku

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA* *(Ibikurikira urupapuro 10)*

nguvu umwana w'umukobwa afise imyaka 6 yitwa A. M.I. mugihe bari mu musi mukuru w'ubugeni bwa inarume w'uwo mwana w'impfuvyi atagira umuvyeyi n'umwe yamusize kwa sekuru na inakuru bavyara se haba uwo muhungu w' umwungere w'inka ku mubanyi.Muri iki gihe,abatwara ku mutumba barajanye umwana n'uwo muhungu ku bitaro vy'i Buhiga kugira babapime kandi barindiriye inyishu z'ibipimo vya muganga hamwe n'ingingo zizovamwo.

**Umwana w'umukobwa yafashwe ku nguvu muri komine Kiganda,intara ya Gitega**

Kuwa 29 Ruheshi 2026,ku mutumba Nkomwe, zone Kiganda, komine Kiganda, umwana w' umukobwa yitwaG.K. afise imyaka 5 yarafashwe ku nguvu na Vianney Ninganza, umubanyi, afise imyaka 28 , umurimyi akaba n' Imbonerakure.

Uwo yakorewe icaha yari muhira wenyene mugihe nyina wiwe J.N. yari yagiye kuvoma amazi kw' ivomo riri ku metero 800 uva muhira .

Vianney Ninganza yari yareretse ko nyina w' umwana agenda aca arashika mu rugo. Yahaye umwana igitumbura aca amufata ku nguvu.Nyina wiwe atashe,umwana yariko ararira ari amenya. Hariho ibimenyetso biboneka ko yashurashujwe, kandi uwabikoze yari yibagiriyeho inkofero nyina w'umwana yaciye amenya,kandi izoba kimwe mu vyemezo. Uwakorewe icaha yarajanywe ku bitaro bikuru vy'i Kiganda ibipimo vya muganga bica biremeza ko yashurashujwe.

Uwikekwako icaha yarahagaritswe n'urwaruka rw'imbonerakure aca atwarwa muri komisariya y'igi porisic'i Kiganda aho ari mu gasho.Benshi bafise amakenga ko azohava arekurwa adaciriwe urubanza.

## *II.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO*

### *II.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

**Uguhagarikwa mu kivunga kw'abantu baharurwa mw'100 bo mu miryango yerwa n'amatati y'amatongo muri komine Cibitoke, intara Bujumbura**

Hagati yo kuwa 24 Ruheshi no mu ntango ya Mukakaro 2026,igiporisi gifashanije n'intwaro barasatse bongera barahagarika hafi abantu 100, bagabuye mu miryango 15 iva mu karere ka Miduha, mu gacimbiri Rubuye,komine Cibitoke, intara ya Bujumbura.Mu matege hasigurwa ko ari isuzumwa ry'ingenzi risanzwe rikorwa barondera abatagira ubwene gihugu canke abubatse n'abanyamahanga,uko gupfungwa ata wubaburanira bikorerwa abahaba begwa n'amatati yo kwakwa amatongo amaze imyaka irenga 10.

Kubwo amasoko yaho n'ayo mu giporisi,uko kubahagarika bigamije gushwiragiza abagize uwo muryango,ubu begeranirijwe mu muji wo mu Rugombo kandi bahuzwa n'ishirahamwe RUGOFARM,kugira bababuze gushobora gusabira hamwe kurenganurwa mu butungane mpuzamakungu burwanya ukunyaga ririmwo ibihangange vyo muri Reta.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *III. UBURENGANZIRA BW’IMIBANO,UBUTUNZI N’IMICO KAMA*

### *III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO*

**Ibikorwa rusangi vyo guhana,bizingamika iyindi mirimo muri komine Kirundo, mu ntara ya Butanyerera**

Kuva muri Myandagaro 2025 igihugu cashize imbere uburimyi bw’igiterwa c’amavoka.Komine Kirundo,intara ya Butanyerera, yafashe iyambere n’ umunyamabanga w’ umugambwe CNDD-FDD, Tite Habimana yatanze itegeko ryo gutera n’imiburiburi ibiti 10 vy’amavoka ku muhana wose wo muri komine Kirundo. Amatongo ya Reta yose yahindutse imirima y’amavoka kandi kunkengera z’amabarabara yose hari amavoka.Muri iki gihe c’ici,ibikorwa rusangi bikorwa imisi 3 mundwi mukuzana ibidumu vy’amazi yo kuvomera ingemwe z’amavoka.Ihadabu riratangishwa uwusiba ivyo bikorwa.Igihe c’ingendo zo guhimiriza zagizwe n’umunyamabanga w’umugambwe CNDD-FDD muri komine Kirundo,ibikorwa vyarahungabanye.Bose wese ategerezwa kwitaba mbere n’abakozi ba Reta hamwe n’abanyeshure.Bamwe mu basitanteri baho,barafata ingingo ziciye kubiri n’ ibwirizwa shingiro mu gutanga uturuhuko tudategekanywa n’amategeko canke icegeranyo c’ibikorwa bimaze gutegurwa.Ibisa n’ivyo vyaribonekeje mu yahoze ari komine Ntega na Bugabira aho ibirangamisi vy’ibibazo hamwe n’ico gutanga amanota vyigijwe imberekubera urugendo rwa Tite Habimana mu gikorwa co kuvomera ingemwe z’amavoka.Umuntu wese ahamagariwe gukorera ku mugambi w’umugambwe CNDD-FDD uko ari kwose.Biragoye gutandukanya intwaro n’ umugambwe uri ku butegetsi.

**Ukubura abigisha muri komine Kirundo, intara ya Butanyerera**

Kuva mu mwaka w’ 2015, harabaye ukubura abigisha buke buke kandi ubu vyabaye ndase. Kugira bagwanye iyo ngorane,barashizeho abigisha b’abakorera bushake baronka agashiruka bute kava mu ntererano z’abavyeyi.

Uko kubura abigisha bikabije vyunyutse muri 2025 hatanguye indinganizo nshasha y’intwaro yakuye abakozi mu gisata c’indero ibajana mu gisata c’intwaro.Ubutegetsi bwo muri komine Kirundo bwaratangishije amahera angana na 3000 fbu ku muhana mu ntumbero yo gushigikira abakorerabushake.Bari babemereye ko bazobaha amahera angana na 8 0 000fbu ku mu D7 na 100 000 fbu ku ba BAC3. Ariko mu gice ca 3,nta nakimwe catanzwe kandi abakorerabushake bamwe bamwe bari base gutanga amanota badahembwe. Nk’akarorero, abo kw’ishure shingiro Kinyonza barapfunzwe imisi 2 kubera batagira uburenganzira bwo kudaha amanota abanyeshure n’aho boba batahembwe.Ariko imbere y’iyo ngingo, ubuyobozi bw’indero muri komine bwari bwasavye abayobozi b’amashure butwara gutoza 1000fbu ku munyeshure kugira bakwize ayo babura mu gice ca 3. Abavyeyi baridoga babaza insiguro yo kwiga ku buntu mugihe batanga ku mwaka ku mwaka amahera ashika 10 000 fbu kugira bahembe abigisha b’abakorerabushake.

## IV. UBURENGANZIRA KU MIGWI

### IV. 1. UBURENGANZIRA BW'ABANA

**Ugufatwa nabi n'uguheba ishure vy'umuyabaga muri komine Mwaro, intara ya Gitega**

Inkuru umuhari Iteka wamenyeshejwe kuwa 5 Ruheshi 2026 ivuga umuyabaga yitwa Irakoze Ciella, umunyeshure wo mu mwaka w'9 kw'ishure Lycée communal Mwaro I, avuka ku gacimbiri Rugenge, umutumba Gihinga, uri muri komine Mwaro, intara ya Gitega.Uwo avugwa yamaze umwaka w'ishure 2025-2026 wose mu muhana w'uwundi muryango.Ari mu muryango wa Eric,umugore wiwe ajejwe ivyigwa kuri Lycée communal Mwaro I, ishure yari asanzwe yigako.Ubu afise imyaka15, Irakoze ni umwana yavyawe na se wiwe, Evariste, na mutoya w'umugore wa Evariste, yaje kwaramira mukuru wiwe w' imfura mu muryango.Muri iki gihe,nyina wa Irakoze arubatse ku mutumba Nyamurenge. Mugihe adashobora kubana na nyina.yaba kwa se wiwe hamwe na mukase,asanzwe ari nyinabo.Twobamenyesha ko Gaudence, uwo mukase, yamufashe nabi, naririya se wiwe yari ku kazikure yo muhira i Bujumbura. Kubwo amakuru ava ku mutumba Gihinga,bivugwa ko mukase yari afise ingeso yo kumuvyura isaha 10 zishira ubuca kugira yikorere amase ayajane mu mirima .

## V. UGUSOZERA N'IBISABWA

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi :***

1. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga;

2. Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo;

3. Gukora amatohoza ku biziga bitorwa mu mihingo itandukanye y'igihugu kandi ntihagire na kimwe gikorwa na Reta

4. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi yo gufata ku nguvu no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu kugira bishure akabi bakoze.